REPUBLIQUE DU BURUNDI

MINISTERE DE LA JUSTICE

PARQUET GENERAL DE LA REPUBLIQUE.-

IJAMBO NTANGAMARARA

Nashaka kumenyesha abarundi n'amakungu aho amatohoza ageze kubijanye n'ama dossiers yuguruwe kuva imigumuko itangura kw'igenekerezo rya 26 ndamukiza hano mu gisagara ca Bujumbura.

Nokwibutsa ka kw'igenekerezo rya 25 ndamukiza, niho umugambwe CNDD-FDD watora uwuzowuserukira mu matora y'umukuru w'igihugu yari ategekanijwe kuba mukwezi kwa Ruheshi uno mwaka.

Bukeye, imigumuko yaciye itangura mu ma quartiers amwe amwe y' igisagara ca Bujumbura kugira ngo biyamirize uwo yari ahejeje kugenwa kugira azitoze.

Kw'igenekerezo rya 29 ndamukiza uno mwaka , harashizweho umurwi ujeje gutanga umuco kuri iyo migumuko.

Kw'igenekerezo rya 20 myandagaro, uno mwaka , uyo murwi warashikirije icegeranyo c'ivyo watohoje.

Twisunze ico cegeranyo, biragaragara neza ko abateguye iyo migumuko bava mu mice myinshi. Twovuga amashirahamwe yiyita ko yishinze kurwanya ico bita ikiringo ca gatatu c'umukuru w'igihugu, imigambwe imwe imwe itavuga rumwe na Leta, n'abandi bantu bakora ku giti cabo.

Kugira iyo migumuko, ikorwe, haregeranijwe amafaranga atari make. Ayo mahera yakoreshwa mu kugaburira no mu guhemba abari mu migumuko, mu kugura amapine n'ibindi bintu vyakoreshejwe mu kuzibira

amabarabara, tutibagiye no kugura urumogi rwanyobwa na bamwe mu bari mu migumuko.

Ayo mahera yakoreshejwe yatanzwe cane cane n'abo bari bateguye iyo migumuko, n'abadandanza bamwe bamwe.

Twobamenyesha kandi ko iyo migumuko yari integuro yo gutembagaza ubutegatsi vyageragejwe kw'igenekerezo rya 13 rusama uno mwaka.

Mu matohozwa yagize biragaragara neza ko abateguye iyo migumuko bama babonana n'akarwi k'akasirikare n'aba polisi bariko barategura gutembagaza ubutegetsi.

Mu migambi yabo bose, iyo migumuko yari yateguwe mu ntumbero yo gutembagaza ubutegetsi.

Ikindi abantu bomenya, n'uruhara rukomeye rw'amaradiyo amwe amwe n'abamenyesha makuru bamwe bamwe mw'itegugwa no mu gufasha abagomvye gutembagaza ubutegetsi.

Iyo migumuko yarononye ibintu vyinshi cane.

Abateguye iyo migumuko, bashira abana imbere, bamwe bamwe babahaye ibiyovyabwenge. Abariko baragumuka basa n'abafashe mpiri abatari muri iyo migumuko kuko bababuza kuja kukazi, kuja kwivuza, canke kumara imanza izi naziriya.

Abari muri iyo migumuko barishe abanyagihugu n'abapolisi ku kadenderezo babagiriza ngo ni imbonerakure canke interahamwe.

Twobibutsa urupfu rwagashinyaguro kuwitwa MISAGO Léonidas yishwe atuririwe mw'ipine mu Nyakabiga, n'ibindi n'ibindi.

Ibintu vyinshi vyaba ivya Leta canke ivy'abikorera utwabo vyarasambuwe, tutibagiye ko abo bagumutse bagiye no kwiba inkoho, muri commissariat municipal y'i bujumbura.

Gushika ubu, ivyononekaye bifise agaciro kangana n a 51 138 872 956 z'amafaranga y'amarundi.

Twomenyesha kandi ko abatari bake mubagiye muri iyo migumuko n'abagomvye gutembagaza ubutegetsi bafashwe. Amadossier y'abo ariko arakorwa n'inzego z'ubutungane.

Mugabo hari bamwe bubateguye iyo migumuko, n'abagomvye gutembagaza inzego bahungiye hanze y'igihugu.

Bakigera mu buhungiro, baciye bashaka gusubira kwisuganya kugira ngo barabe ko bosenyura inzego z'igihugu ku kubryo bwose.

Ni muri iyo ntumbero kw'igenekerezo rya 10 mukakaro hateye akarwi k'abantu bitwaje ibigwanisho muri komine kabarore mu ntara ya Kayanza.

Inzego z'ubutungane zirafise ivyemenya ko ubu bwicanyi busobanura umuntu umwe umwe, itegwa ry'ama grenade n'ibindi bikorwa vyiterabwoba, ari ibintu vya teguwe n'abo bari beteguye imigumuko bafadikanije n'abagomvye gusenyura ubutegetsi.

Imitahe yo guhagarika abo bantu yaratanzwe kugira bazoshengezwe imbere y'ubutungane bw'uburundi, bahanwe, bongere barihe ivyononekaye.

Murakoze.

UMUSHIKIRIZAMANZA
KIZIGENZA WA REPUBLIKA

Valentin BAGORIKUNDA.-